# B. Divers

## SENTARE YUBAHIRIZA IBWIRIZWA SHINGIRO

## URUBANZA RCCB 327 RWO KU WA 19 RUSAMA 2016

Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro;

Yashikirijwe urwandiko rurimwo imburano ku wa 18/04/2016 na NZEYIMANA Fabien asaba ko hokosorwa amakosa yagiye mu mwidondoro wiwe uri ku rutonde rw'abashingamateka bo mu Runani Abigenga Mizero y'Abarundi bo mu ntara ya Muramvya mu 2015; urwo rubanza rukaba rwanditswe mu bitabo vy'iyi sentare rwongera ruhabwa inomero RCCB 327;

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi;

Yihweje Ibwirizwa n°1/018 ryo ku wa 19/12/2002 rigenga Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi nk'uko ryahinduwe n'Ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 11/01/2007;

Yihweje Ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 17/03/2005 ritunganya amasentare n'ububasha bwayo;

Yihweje amategeko ngenderwako ya Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro;

Yihweje inyandiko yashikirijwe ziri muri dosiye;

Yumvise icegeranyo cagizwe n'umwe wo mu bacamanza bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro;

Ibanje gukura urubanza mu mwiherero w'abacamanza;

Kubera ko NZEYIMANA Fabien avuga ko yasanze umwidondoro wiwe uri ku rutonde rw'abashingamateka bashizwe imbere n'Urunani Abigenga Mizero y'Abarundi mu ntara ya Muramvya mu 2015 urimwo ikosa aho avuga ko bamwise umuhutu ngo kandi ari umututsi, none akaba asaba ko vyokosorwa;

Kubera ko ibisabwa na NZEYIMANA Fabien bijanye n'urubanza RCCB 316 rwaciwe niyi sentare ku matora y'abashingamateka yo ku wa 29/06/2015;

Kubera ko ingingo y'205 y'Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi mu karongo kayo ka 3 ivuga ko: "Ibwirizwa rikomoka kw'ibwirizwa Shingiro niryo ritomora iringanizwa n'ububasha bw'amasentare";

Kubera ko ingingo y'149 y'Ibwirizwa riringaniza amasentare n'ububasha bwayo itomora neza ko iyo bishitse imanza zaciwe zigasomwa ko zibamwo zibayemwo amakosa, ayo makosa araheza agakosorwa na sentare yaruciye;

Kubera ko, ubisabwe n'iyi sentare, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'igihugu wayishikirije urutonde rw'abashingamateka bashizwe imbere n'Urunani Abigenga Mizero y'Abarundi mu ntara ya Muramvya mu 2015 rwakozwe n'urwo Runani nyene ku rwego rw'igihugu, harashikirijwe kandi na dosiye yose NZEYIMANA Fabien yatanze muri uyo murwi wigenga ujejwe gutunganya amatora hamwe rero n'urutonde rw'abitoje ku rwego rw'Inama Mpanuzwajambo ya komine Mbuye mu 2015;

Kubera ko iyimuriro ry'urutonde rw'abashingamateka bashizwe imbere n'Urunani Abigenga Mizero y'Abarundi mu ntara ya Muramvya mu 2015 ry'Umurwi ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu ryerekana ko NZEYIMANA Fabien yitoje mu kibanza c'7 nk'umushingamateka wo mu bwoko bw' Abahutu muri urwo Runani nyene;

Kubera ko kandi n'idosiye yose ya NZEYIMANA Fabien yatanze mu murwi wigenga ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'igihugu yitoza nk'umushingamateka muri urwo Runani nyene mu ntara ya Muramvya yerekana ko yitoje muri ico kibanza ari Umuhutu;

Ko kandi urutonde rw'abitoje ku rwego rw'Inama Mpanuzwajambo ya Komine Mbuye mu 2015 rugaragaza ko NZEYIMANA Fabien yitoje naho nyene ari Umuhutu;

Kubera ko sentare isanze ibivugwa na NZEYIMANA Fabien ko yitoje ari Umututsi atacemeza na kimwe kibishigikira, ahubwo ko nyabuna inyandiko zose sentare yashikirijwe zemeza ko ari Umuhutu;

Kubera izo mvo zose;

Ishinze ko:

1. Urubanza RCCB 316 ata mahinyu rufise.
2. NZEYIMANA Fabien yitoje ku rwego rw'abashingamateka mu ntara ya Muramvya ku rutonde rw'Urunani rw'Abigenga Mizero y'Abarundi mu 2015 ari Umuhutu.
3. Uru rubanza rumenyeshwe aba bakurikira: NZEYIMANA Fabien, Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Umuhuza w'Abarundi, kandi ruzotangazwe mu Kinyamakuru ca Leta.

Hashashe i Bujumbura, ku wa 19/05/2016,

Umukuru wa Sentare:

NDAGIJIMANA Charles (sé)

Icegera:

NTAKIRUTIMANA Jérémie (sé)

Abacamanza:

NIYONGABO Pascal (sé)

KARENZO Claudine (sé)

NDIHOKUBWAYO Canésius (sé)

INANTORE Irina (sé)

NTAVYIBUHA Bernard (sé)

Umwanditsi:

NIZIGAMA Irène (sé)

## SIGNIFICATION A DOMICILE INCONNU

L'an deux mille seize, le 14ième jour du mois d'avril

A la requête de INADES

Je soussigné NZOHABONAYO M. Goreth, Huissier assermenté près la Cour d'Appel de Bujumbura;

Ai signifié à David BARENDEGERE et Emile GAHUNGERE sans résidence ni domicile connu, la copie de l'expédition en forme exécutoire d'un arrêt RSA 4903 rendu contradictoirement par la Cour d'Appel de Bujumbura en date du 22/06/2005.

Entre les parties INADES contre BARENDEGERE David et GAHUNGERE Emile.

Dispositif:

Statuant publiquement et contradictoirement et après le délibéré légal;

1° Reçoit l'appel interjeté par l'INADES et le déclare fondé;

2° Réformant le jugement entrepris et statuant à nouveau : Dit que les contrats entre parties n'ont pas été entachés d'aucun vice ni de forme ni de fond et déboute les intimés de toutes prétentions;

Attendu que l'intéressé n'a ni résidence ni domicile connue dans ou hors de la République du Burundi, j'ai, Huissier soussigné, affiché l'extrait du présent exploit à la porte principale de la Cour d'Appel et l'ai fait publier dans le Bulletin Officiel du Burundi (BOB).

Visa du Président

P.O Vice-Président (sé)

Dont acte

L'Huissier (sé).

## DECISION N°553/56/26/2016 DU 15/04/2016 PORTANT AUTORISATION DE CHANGEMENT DE NOM

Le Directeur des Affaires Juridiques et du Contentieux,

Vu la loi n°1/013 du 18/7/2000 portant réforme du code de la nationalité;

Vu le décret-loi n°1/024 du 28/4/1993 portant réforme du code des personnes et de la famille, spécialement en son article 17;

Vu le décret n°100/94 du 28 juin 1979 portant réglementation de changement de nom;

Vu l'ordonnance ministérielle n°550/060 du 27 mars 1978 instituant la carte nationale d'identité, spécialement en ses articles 2 à 5;

Vu l'ordonnance ministérielle n°550/264 du 27 novembre 1984 portant délégation de pouvoirs au Directeur des Affaires Juridiques et du Contentieux en matière de changement de nom;

Vu la requête en changement de nom introduite par SIMBANANIYE Christine en date du 23/07/2015;